Sénat

INAMA NKENGUZAMATEKA Y'UBURUNDI

GISOHOKA RIMWE MU KWEZI N°072 Ndamukiza 2014

Inama Nkenguzamateka yarishikiye mu ntara ya Makamba guhinyuza ivyavurwa ko hariko hatangwa ibirwanisho

Inyuma yaho handikiwe raporo ya BNUB ko hari ibirwanisho vyoba vyatanzwe mu ntara za Bururi na Makamba, Inama Nkenguzamateka yaciye itegura inama yabereye mu nyubakwa y'inama ya Paruwasi Mabanda kw'igenekerezo rya 18 ndamukiza 2014 aho abaserukira abenegihugu bo mu makomine ya Rumonge, Mabanda, Kibago na Nyanza-Lac biyamirije ivyashikirijwe muri iyo raporo.

Uva i bubamfu: umushikiranganji wo kwivuna abansi, Pontien Gaciyubwenge; umushikiranganji w'umutekano, Gabriel Nizigama; abagize ibiro vy'Inama Nkenguzamateka: ba nyakwubahwa Persille Mwidogo, Gabriel Ntisezerana na Pontien Niyongabo; umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, Edouard Nduwimana.

Iyo nama yakoreshejwe n'umukuru w'Inama Nkenguzamateka ari kumwe n'ivyegera vyiwe bibiri, yari yitabwe n'abakenguzamateka, umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, umushikiranganji w'umutekano, uwo kwivuna abansi, ba buramatari b'intara za Bururi na Makamba, ba musitanteri, abahanuzi b'inama za komine, abakuru b'amazone, abakuru b'imitumba, komite zijejwe umutekano ku mitumba, amashirahamwe adaharanira inyungu za poritike, abakozi ba Reta, abajejwe umutekano hamwe n'abenegihugu bo ku murwa mukuru wa komine Mabanda.

Abashikiranganji bose uko ari batatu bafashe amajambo, bamenyesheje ko ata nkuru bigeze bumva ku bijanye n'itangwa ry'ibirwanisho bongera bemeza ko mu bubiko bw'ibikoresho ata kirwanisho na kimwe kirigera kibura canke ngo kizimire. Babeshuje ivyo binyoma bereka abari muri iyo nama ko Reta ata nyungu n'imwe yoronka mu gutanga ibirwanisho mu benegihugu kuko ata muntu yokwisamburirako k'impene.

Abari bitavye iyo nama barahawe umwanya ukwiye wo gushikiriza akari ku mutima. Abafashe amajambo bose bamenyesheje ko izo nkuru na bo nyene bazumvise ziduma ku maradiyo ari na ho bagumye basaba ko umunyamahanga yanditse iyo raporo hamwe n'abarundi bamufashije botanga ivyemezo bikwiye vy'ivyo banditse mbere bishobotse bagakurikiranwa mu butungane.

Imbere yo kurangiza iyo nama, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yamenyesheje ko afatiye ku majambo yagiye arashikirizwa n'abitavye iyo nama batandukanye baba abari mu migambwe, abatowe ku mitumba, abakuru b'imitumba n'abari mu mashirahamwe adaharanira inyungu za poritike, ivyanditswe muri iyo raporo ya BNUB bigaragara ko ari ikinyoma cambaye ubusa.

Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana yarangije iyo nama asaba Reta ko yobandanya ibungabunga umutekano w'abenegihugu ikongera ikagira amatohoza ku coba catumye handikwa iyo raporo. Abenegihugu bo mu makomine ya Mabanda, Kibago, Nyanza-lac na Rumonge yabasavye kubandanya bafatanye mu nda, bakore ibikorwa bibateza

Umukuru w'umutumba Mutambara muri Rumonge, Gashindi Sylvain, ariko arabeshuza igihuha cavuga ko inkoho zaraye ziraturikira kuri uwo mutumba. Amenyesha ko na Tereviziyo y'igihugu yishikiye kuri uwo mutumba isanga ivyavuzwe ni ikinyoma cambaye ubusa.

imbere, hagize ikibabakira ku bijanye n'umutekano bakimenyeshe hakiri kare.

Musitanteri wa komine Rumonge, Gérard Ndikumana, amenyesha ko abo arongoye barushe no kwama bambikwa iceyi. Ababazwa n'uko abashaka gutoba no kugumura abenegihugu bamenera mu Rumonge nk'uko vyabaye inyuma y'amatora yo mu 2010, aho abanyeporitike bayiyamiriza bavuye i Bujumbura baja gukoranira muri iyo komine nk'uko ryoba ari ikirimbiro ry'intovyi.

Bwari ubwa mbere Inama Nkenguzamateka ikorera inama ya bose mu gihugu hagati kandi ibiganiro bigashikirizwa ikibiriraho kw'iradiyo y'igihugu.

Apollinaire Ruhanga

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka ahamagarira abenegihugu gutsimbataza amahoro n'umutekano no kurwiza umwimbu

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, yahamagariye abenegihugu gutsimbataza amahoro n'umutekano kugira ngo bashikire iterambere rirama. Ivyo yabishikirije kw'igenekerezo rya 12 ndamukiza 2014, mu nyuma y'ibikorwa vyo kwubaka ishure nshingiro ku musozi Buhindo wo muri komine Murwi, intara ya Cibitoke.

Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana (uwa 2 uva i buryo) yifadikanije n'abenegihugu bo ku musozi Buhindo mu bikorwa vyo kwegeranya amabuye yo kwubaka ishure nshingiro

Nyakwubahwa Ntisezerana yahimirije abenegihugu b'i Murwi kuguma bafatanye mu nda no kubandanya kwubaka amashure menshi mu ntumbero yo gupfunyiriza urugendo abanyeshure. Yongeye atera akamo abavyeyi n'abigisha gukurikirana neza abanyeshure kugira ngo bazoronke amanota ashimishije.

Kubera isi ndimwa yaze bivuye cane cane kw'igwirirana ry'abantu, yahanuye abenegihugu kugabanya imvyaro no kwirinda guharika kuko bitera indyane mu miryango.

Muri ukwo kwezi nyene, kw'igenekerezo rya 26 uno mwaka, Nyakwubahwa Ntisezerana yifadikanije n'abenegihugu bo muri komine Buterere yo mu gisagara ca Bujumbura mu bikorwa vyo kwubaka ishure shingiro y'igorofa.

Gabriel Ntisezerana (hagati) ari kumwe n'umukuru w'igisagara ca Bujumbura (uwa mbere uva i buryo) mu bikorwa vyo kwubaka ishure nshingiro ry'igorofa ku Buterere

Ivyo bikorwa birangiye, umukuru w'Inama Nkenguzamateka yateye akamo abenegihugu kugwanya ivyo vyose vyobasubiza inyuma mw'iterambere. Ati: "Kure amaboko mu mpuzu mwongereze umwimbu kugira ngo mugwanye inzara".

Yabemereye ko urwego arongoye ruzobandanya rufasha komine Buterere mu bikorwa vyo kwubaka iryo shure.

Benoît Ngendakumana

Amasezerano mpuzamakungu yemejwe n'Inama Nkenguzamateka mu kwezi kwa Ndamukiza

1. Itegeko rigenga ingurane OPEP yahaye Uburundi

Kw'igenekerezo rya mbere ndamukiza 2014, Inama Nkenguzamateka yarihweje yongere iremeza itegeko rigenga ingurane ikigega OPEP cahaye Uburundi ngo bwubake bwongere busubiremwo ibarabara riva i Bubanza rija i Ndora, igice ca kabiri Ntamba-Ndora.

Iyo ngurane ikaba ingana n'imiriyoni zine z'amadorari y'abanyamerika yari yasigaye ku ngurane y'imiriyoni cumi na zine ico kigega cari cahaye Uburundi ngo bwubake ibarabara rica i Bubanza-Ntamba-Ndora ku burebure bungana n'ibirometero birenga gato 14.

2. Amasezerano yo gufashanya hagati ya Repuburika ya Nigeriya hamwe n'Uburundi

Hisunzwe imigenderanire y'ubucuti, imibano n'ubutunzi hagati y'ibihugu vya Nigeria n'Uburundi hamwe n'ababibamwo, ivyo bihugu uko ari bibiri vyaripfuje gutsimbataza no guteza imbere gusumba uko vyahora imigenderanire hamwe no kwagura ibisata vyofashanyamwo. Ni muri iyo ntumbero hateweko umukono, kw'igenekerezo rya 25 rusama 2013, amasezerano yo gufashanya mu vy'ubutunzi, poritike, imibano, ubuhinga, ubumenyi, imico kama, indero, amagara y'abantu, ubudandaji, gushinga imitahe hamwe n'ibindi bisata hagati y'igihugu ca Nigeria n'UBurundi.

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro ayo masezerano, ivyo bihugu uko ari bibiri bizoshinga umurwi uhurikiwemwo na bose uzoba ujejwe guteza imbere no gutsimbataza imigenderanire hamwe no gutegura inama zisanzwe hagati y'ivyo bihugu bibiri. Urutonde rw'ibizokwigwa bizoba vyumvikanyweko kandi ibizoba vyashitsweko bizotangazwa biciye mu buserukizi bw'ivyo bihugu. Inama zikazoza zirabera ku mirwa mikuru y'ivyo bihugu , inama ya mbere ikazobera i Bujumbura muri uyu mwaka nyene. Ayo masezerano yemejwe n'Inama Nkenguzamateka igenekerezo rya mbere ndamukiza 2014.

3. Amasezerano yo gufashanya mu vy'intwaro hagati y'ibihugu vya Afrika

Inama Nkenguzamateka yemeje ayo masezerano kw'igenekerezo 23 ndamukiza 2014. Intumbero nyamukuru y'ayo masezerano akaba ari uguteza imbere ubutunzi, imibano, imico kama hamwe no kurwanya ubukene muri Afrika.

4. Amasezerano ku bijanye n'uruhusha rwo kwinjira no gusohoka ku bafise impapuro z'inzira z'icubahiro canke z'akazi hagati ya Repubulika y'Uburundi na Irani

Ayo masezerano atuma abenegihugu b'ivyo bihugu uko ari bibiri bafise izo mpapuro bashobora kwinjira mbere bakarengana baciye muri ivyo bihugu. Ivyo bihugu kandi birashobora kubuza kwinjira, kuba ku butaka bw'ivyo bihugu no kwirukanwa bisabwe n'ivyo bihugu vyateyeko umukono kuri aya masezerano. Inama Nkenguzamateka ikaba yemeje ayo masezerano kw'igenekerezo rya 01 ndamukiza 2014.

Abakenguzamateka bemeza integuro y'itegeko

5. Ibwirizwa ryemeza amasezerano Reta y'Uburundi yashizeko umukono ku bijanye no kubungabunga inyoni zo muri Afrika, i Buraya na Aziya

Mu mwaka w'1995 mu kwezi kwa ruheshi, Uburundi bwarashize igikumu ku masezerano yo gukingira inyoni zo mu bihugu vya Afrika, i Buraya naAziya.

Kw'igenekerezo rya 28 ndamukiza 2014 niho Inama Nkenguzamateka yihweza yongera iremeza ayo masezerano agenga izo nyoni. Ayo masezerano akaba aje hageze kuko afitiye Uburundi n'abarundi akamaro ntangere kuko bizotuma haba ihanahana ry'amakuru ku bijanye n'ubushakashatsi, inyigisho,hagati y'ibihugu vyemeje ayo masezerano. Uburundi buzokwitaba kandi inama bwongere bufate ingingo, (kuko kare bwahora bwitaba ka burorerezi), zerekeye ibijanye n'inyoni hamwe no gutegura ingene zosubizwa aho ziba zaravuye.

Uburundi buzoronka imfashanyo zisanzwe zihabwa ibihugu vyemeje mwene ayo mategeko.

Ayo masezerano akaba yerekeye ubwoko bw'inyoni bungana 235, aha mu Burundi izo nyoni zikunda kuba ziri mu ntara ya Kirundo ku kiyaga Rwihinda aho benshi bita ''Ikiyaga c'inyoni'' (Lac aux oiseaux).

Clotilde Kampimbare

Inama igira 6 y'ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zo muri Afrika zikoresha ururimi rw'igifaransa yarakoraniye i Bujumbura

Kuva kw'igenekerezo rya 3 gushika ku rya 5 Ndamukiza, mu ngoro y'amakoraniro yo mu Kigobe mu gisagara ca Bujumbura, harabereye inama igira gatandatu ihuza Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka za Afrika z'ibihugu bikoresha ururimi rw'igifaransa.

Iyo nama yari ifise intumbero yo kwigira hamwe uruhara rw'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka mw'itunganywa ry'intwaro. Umukuru w'Inama Nkenguzamateka y'Uburundi, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, yari yitavye ibikorwa vy'iyo nama.

Muri iyo nama abarongoye Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka bo mu bihugu vya Afrika bikoresha ururimi rw'igifaransa barigiye hamwe ivyegeranyo vy'ingene ishirahamwe APF rikora, barahindura amategeko amwe amwe agenga ishirahamwe, barihwereza ingene umutekano wifashe mu bihugu bimwe bimwe bigize ishirahamwe, baratunganya ibikorwa vyimirije kurangurwa, bongera barihweza ututu n'utundi ku bijanye n'itunganywa ry'iryo shirahamwe.

Inama yarangiye hasohotse itangazo ku bijanye no gukura ibihano bijanye n'ihagarikwa ry'ibihugu vya Mali, Guinnée na Madagascar mw'ishirahamwe. Barafashe ingingo kandi ku bijanye n'umutekano mu bihugu vya République Centrafricaine (RCA) na République Démocratique du Congo (RDC).

Uburundi bwaritavye inama y'ishirahamwe ry'Inama Nkenguzamateka zo mu bihugu vya Afrika n'ivy'Abarabu

Umukuru w'inama Nkenguzamateka y'Uburundi, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana yaritavye inama igira 8 y'ishirahamwe ry'Inama Nkenguzamateka zo mu bihugu vya Afrika n'ivyabarabu (ASSECAA).

Bamwe mu bitavye inama ya ASSECAA yabereye muri Etiyopiya

Ibikorwa vy'iyo nama yabaye ku magenekerezo ya 5 na 6 ndamukiza 2014, i Addis Abéba ku murwa mukuru w'igihugu ca Etiyopiya hasanzwe ari n'umurwa mukuru w'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika, vyuguruwe n'umushikiranganji wa mbere w'igihugu ca Etiyopiya, nyakwubahwa Hailemariam Desaleign. Kari n'akaryo kandi ko guhimbaza imyaka cumi ishirahamwe ASSECAA ryari rimaze rivutse.

Abaserukiye ibihugu, bararonse akanya ko gushikiriza ijambo. Umukuru w'Inama Nkenguzamateka y'Uburundi yashimikiye ahanini ku kugene Uburundi buriko bigira akigoro kadasanzwe mu kugarukana amahoro n'umutekano mu bice bitandukanye vyo muri Afrika. Yabandanije avuga ko ako kigoro k'abarundi ari ukwitanga kudasanzwe ariko ko abarundi bose bavyishimiye kuko bituma ikiremwa muntu kibaho cubahirijwe.

Muri iyo nama hakaba harihwejwe hongera haremezwa icegeranyo c'ivyaranguwe (audit) mu mwaka wa 2013, abari bayitavye bakaba baciye bemeza amafaranga azokoreshwa n'ibizorangurwa mu mwaka wa 2014.

Ibikorwa vyarangiye bongeye iyindi myaka itatu umunyamabanga mukuru w'ishirahamwe, nyakwubahwa Abdulwasie Yusuf Ali.

Apollinaire Ruhanga

Inama Nkenguzamateka

Uruganda rw'ikinyamakuru

Umukuru w'iyandikiro:
Apollinaire Ruhanga

Abanditsi:
Benoît Ngendakumana
Clotilde Kampimbare

Amasanamu:
Prosper Bizimana

Maquette et Impression:
IMOBU,Tél.: (+257) 22 222214